KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Intama Yazimiye

- 9th story -



56Page

**Uwuvuga** Abantu benshi barakunda inkuru Yesu yatera bigatuma bamukurikira aho yaja hose. Ariko kandi hari benshi batakunda Yesu.

**Umuntu wa 1** Yesu arayobeye!

**Umuntu wa 2** Ndavyemeye, asohoka agasangira n'abanyavyaha~ ivyo ntibibereye!

**Uwuvuga** Hanyuma Yesu atera abo bantu inkuru.

.................................................................................................



57Page

**Uwuvuga** Harabaye umwungere yari afise intama ijana. Uwo mwungere yarazikunda kandi yarazitaho cane. Hageze gucura, uwo mwungere yaraharura intama ziwe.

**Umwungere** Sawa, reka turabe:..imwe, zibiri, zitatu...mirongo ibiri, mirongo itatu, mirongo ine,…mirongo icenda n'indwi , mirongo icenda n'umunani, mirongo icenda n'icenda...intama imwe yatakaye!!

**Uwuvuga** Incuro yaharura zose, igitigiri c'intama caba ari mirongo icenda n'icenda

**Umwungere** Hmm? Intama igira ijana iri hehe?

**Uwuvuga** Uwo mwungere arahagarika umutima cane kubw'intama yatakaye. Yarahagaritse umutima bituma arondere iyo ntama hose.

.................................................................................................



58Page

**Uwuvuga** Ijoro rirakuba. Uwo mwungere arondera ubudaharika intama yiwe yatakaye kandi ntiyahagarika kandi abandanya kurondera intama yiwe yatakaye. Ubwo nyene aca yumva ijwi!

**Intama yazimiye** Baa, baa~~

**Uwuvuga** Wa mwungere yiruka aja iyo ijwi riri! Nya gatama kariko karereta hejuru y'imanga. Kari katose kajugumira kubera ubwoba.

**Umwungere** Uri ngaha! Mbega ukuntu wagize ubwoba! Ntiwongere kugira ubwoba ubu~naje kugutabara!! Duga-ho˜duga-ho˜!!

**Uwuvuga** Wa mwungere akiza ya ntama. Arishira ku bitugu vyiwe aryohewe arataha.



59Page



60Page

**Uwuvuga** Wa mwungere ashitse i muhira, ahamagara umugore n’abana biwe aryohewe.

**Umwungere** Natoye ya ntama yari yaimiye!! Nayitoye!! Nimuze mwese tunezerwe!!

..................................................................................................

**Uwuvuga** Yesu abarira ishengero.

**Yesu** Mbega wazimije intama hama ukayitora nturyoherwa? Muri ubwo buryo niko hazoba akanyamuneza kenshi mw’ijuru hihanye umunyavyaha umwe kuruta abagororotsi 99 batagikenye kwihana. Imana ntishaka kuzimiza umuntu n’umwe.

**Uwuvuga** Yesu abacira uwundi mugani w’umwungere n’intama ziwe.

**Yesu** Umwungere mwiza amenya intama ziwe n’intama ziwe zikamenya ijwi ryiwe zikamukurikira. Ariko iyo intama zigiye kure yiwe, umwungere mwiza ntaziheba ngo yiruke ahubwo ararwana n’ibikoko vyo mw’ishamba bishaka kugirira nabi intama ziwe. Umwungere mwiza yama akingira intama ziwe.

**Uwuvuga** Yesu abwira abantu ko ashaka kwigura intama ziwe akazikingira.